Uwo uri wese ubahirizwa


LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

***N°528 Co kuva kuwa 25 gushika kuwa 31 Rusama 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 31 Rusama2026, abantu bashika 870 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 783 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## SOMMAIRE


*0. INTANGAMARARA......5*


*I. UMWIHWEZO......5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE......10*

*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA......13*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA......14*

## *INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO MU BURUNDI KUVA KUWA 16 NTWARANTE*



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**BRB** : Ibanki ya Repuburika y'uBurundi

**CDS** : Ikigo c'ubuvuzi

**CNDD-FDD** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**DCE** : Ubuyobozi bw'indero mw'ikomine

**DPE** : Ubuyobozi bw'indero mu ntara

**ECOFO** : Ishure shingiro

**FDLR** : Urunani ruharanira gukingira no kubohoza u Rwanda

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 Ndamukiza

**OBR** : Ikigo kijejwe amakori mu Burundi

**OPJ** : Inyamiramabi

**OTB** : Ikigo gikora icayi mu Burundi

**RN** : Ibarabara ry'igihugu

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


0. INTANGAMARARA................................................................5

I. UMWIHWEZO................................................................5

I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE ................................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO................................................................5

I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO ................................................................6

I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI ................................................................7

I.5. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI ................................................................8

I.6. UMWIHWEZO W'UBUFASHA ................................................................9

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ................................................................10

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ................................................................10

II.1.1.UBWICANYI BUTEGUYE ................................................................10

II.1.1.1.ABANTU BISHWE N' IMBONERAKURE................................................................10

II.1.1.2.ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE ................................................................10

II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA................................................................11

II.1.3.UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO................................................................11

II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI................................................................12

II.2.1. UGUFATA KU NGUVU................................................................12

II.2.2. AMABI YO MU MAZU................................................................12

III.UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA................................................................13

III.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI................................................................13

III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO................................................................13

IV. UGUSOZOZERA N'IBISABWA................................................................14

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 25-31 Rusama 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka kirihweza kandi nk' ivya politike,intwaro,umutekano,ubutunzi n' ubufasha.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike, hamwe n' uburenganzira ku mibano,ubutunzi n'imico kama muri iyindwi.

Amabi yiganywe n'umuhari Iteka harimwo: n'imiburiburi abantu 5 bishwe,harimwo 2 batowe ibiziga hamwe n'1 yakorewe amabi munzu,abantu 2 banyurujwe hamwe n'1 yafashwe ku nguvu.Mu babikorewe,abagore 2 barishwe umwe nawe afatwa ku nguvu.

Abikekwako ayo mabi ni abo mu ntwaro,abapolisi,abasirikare,hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z' umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*

**Itunganywa ry'ibikorwa vy'ukwinonora imitsi bifatwa nk'iterabwoba**

Kuva ukwezi kwa Rusama gutangura,kuva igihe c'isaha 12 zibura iminuta 15 imisi yose ku wa gatandatu,indirimbo,ingoma ,hamwe n'ivyuma biduza amajwi,birakwiragira n'ijwi ryo hejuru,kandi harimwo abanyeshure bamwe bamwe,kugira bakangure Imbonerakure zo muri komine Bugendana, intara ya Gitega, kugira bitabe ibikorwa vyo kwinonora imitsi. Izo mbonerakure ziva ahanini ku mitumba Mukoro, Mugitega, Kibungo, Cishwa na Mwutire muri Zone Bugendana kandi bagafata RN 15 (Gitega–Ngozi).Kubwo intahe z' abanyagihugu baho,igihe c'ivyobikorwa, ivyivugo hamwe n'ubutumwa burimwo n'iturubikwa rikorerwa abantu badashigikiye umugambwe CNDD-FDD birakorwa. Nk' akarorero, iyo baciye imbere y'umuhana y' umuntu afatwa nk'uwudashigikiye uwo mugambwe,abavyitavye barahagarara rimwe na rimwe akanya gato imbere y'inzu yiwe kugira bakimbagire banavuga ivyivugo nk'ibi: « Muracafise umwanya w'ukwigarura », « Uwuzoteba azovyicuza », « Uwutinjiye, arondere iyo yinyegeza ». Kubwo ivyabona bitandukanye,arimwo na bamwe mu mugambwe CNDD-FDD,iyo nyifato yahindutse umugirwa udatahuritse kandi bashikiriza ko ivyo bagira bizana icuka c'ubwoba hamwe n'iterabwoba mu banyagihugu.

### *I .2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Ukugerageza kwica muri komine Bugabira mu ntara ya Butanyerera.**

Kuwa 31 Rusama 2026, hafi igihe c'isaha imwe y'ijoro, agacimbiri Murwa,umutumba Ruhehe, zone na komine Bugabira, intara Butanyerera, akagwi k'inkorabara karagerageje kwica Nzeyimana Dismas afise imyaka 28,umuhungu wa Sabumwami Ezéchiel na Miburo Marie,hamwe n' umuhungu wiwe Siyoni Jean de Dieu, afise imyaka bakoresheje imipanga n'imiheto. Kubwo ivyabona vyaho, Nzeyimana Dismas yarakomeretse ku kuboko umwana wiwe nawe mu mutwe ,kandi baciye bajanwa ku bitaro vyo mu Kirundo bahejeje kubavurira ku kigo c'ubuvuzi co mu Ruhehe. Igipolisi ca EMS Bugabira kiriko kirakizura mw'ijoro hamwe n'umugwi w'umutekano w'abantu uhurikiyemwo bose barahashitse vyihuta bahamagawe n'uburongozi bwaho.

Kubwo ivyo vyabona vyaho nyene,izo nkozi z'ikibi zarononye bimwe bikomeye umurima w'ibitokevy'uwo muntu baca bariruka ariko igipolisi,umugwi uhurikiye hamwe muvyo umutekano hamwe n'intwaro bagize urunani

Bihutiye guhiga abo bicanyi gukora isaka ku

## *I .2. Umwihwezo w'umutekano (Ibikurikira urupapuro 5)*

bucimbiri butandukanye y'umutumba Gacamirinda n'umutumbaRuhehe ryatanguye igihe c'isaha 2 z'ijoro gushika isaha 6 n'igice . Abantu 4 Nkunzimana Viateur, afise imyaka 42 umuhungu wa Ngendakumana naNyandwi , baba ku mutumba Ruhehe ; Munanira Frédéric afise imyaka 56 ,umuhungu wa Misogoro na Nsabayanka,baba ku mutumba Gacamirinda; Nsengiyumva Abdalan, afise imyaka 26, umuhungu wa Majambere Ferdinand na Mukandamagi Léonie, baba ku mutumba Gacamirindi agacimbiri Kinyamateke na Bizimungu Elissa, afise imyaka 25 ,umuhungu wa Minani Pascal barahagaritswe bafise ibikoresho vyakoreshejwe biriko amaraso nk'imiheto n' imipanga.

### Ubwoba bw'umutekano buvuye ku kwivanga kw'igisirikare mu gisata c'ubutare hamwe na FDLR mu makambi amwamwe y'igisirikare c'uburundi

Ukwiva kw'abegereye ubutegetsi mu gisata c' ibikorwa vy'urudandazwa si agaseseshwa rumuri bizana inkurikizi mbi mu mubano.Izo nkurikizi zirunyuka iyo bivuye ku rwego rw'igisirikare.

Kuwa 20 Ruheshi 2026,ikintu kidasanzwe kandi kitamenyerewe carahatswe gukora akabi kabishe.Abasirikare bari muri OTB y'iBuhoro bategerezwa kugomborwa n'umurwi mushasha.

Uwo rero wari ufise ubutumwa budasanzwe bwo kugenzura hamwe no kugendereza ku bikorwa vy'icukurwa ry'inzahabu ku birindiro vya Nyamikoma, biri hafi y'imirima y'icayi OTB.Abanyagihugu bahegereye hamwe n' abakozi ba OTB bahumutse ku basirikare bavuga ikinyarwanda. Inkuru yaratebutse kuzunguruka, ittera ubwoba mu kivunga. Intwazangabo irongoye izo ngabo yabibonye uko babibonye aca agira amatohoza mumpisho.Ivyo vyerekanye ko,igihe co kubakwiragiza,ntiyari yamenyeshejwe ko hariho abanyamahanga mu mugwi mushasha ugomboye.

*Imbonerakure* rero zarose amategeko yo gutera akavuyo mu banyagihugu mu gukwiragiza igihuha ko ari ababinjiyemwo ba M23, umugwi w'inyeshamba z' abanyakongo. Bukeye bwaho, mugihe abanyagihugu bari batashe kare kubwo umutekano wabo, abo barwanyi b' abanyarwanda barakuweho n' imodoka za gisirikare ku mugoroba.Amasoko amenyesha ko abasirikare 30 ba FDLR bari muri izo ngabo.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### Akababaro k'abanyagihugu bo muri komine kirundo y'intara ya Butanyerera.

Haraciye ukwezi ,abanyagihugu bo muri komine Kirundo bategetswe gusasa amabuye imbere y'aho baba.Musitanteri wa komine Kirundo, afadikanije n'umunyamabanga w' umugambwe CNDD-FDD,yategetse abanyagihugu bafise baba mu bibanza bikora kw'ibarabara ry'igihugu (RN) gushira amabuye iruhande y'aho baba hamwe n'aho badandariza ,harimwo n'ugusubiramwo akabarabara mugihe kononekaye.Ariko rero, ugushira mungiro iryo tegeko risa n' irigoye cane.Abanyagihugu bo mu Kirundo gitera ubukene bukabije ,bigatuma ukuri kw' ico gikorwa kigoye ku banyagihugu benshi. Abahisemwo kudakwirikiza iryo tegeko barihishwa ihadabu ry'amahera100 000 FBU.

### Intererano ku bushake bw'abigisha kw'iyinjira ry'inzu y'umurwanyi wa CNDD-FDD muri komine Mwaro mu ntara ya Gitega.

Kuwa 6 Ruheshi 2026 hategekanijwe ukwinjira inzu y'umurwanyi wa CNDD-FDD iri muri zone na komine ya Mwaro, mu ntara ya Gitega,yiswe « Guheraheza no kwinjira inzu y'Uwarurwanye».Kuri ubwo,abarongozi batandukanye bo mu gisata c'indero bo mu buyobozi bwo muri iyo zone batanze ubutumwa

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO (Ibikurikira urupapuro 6)*

bugenewe abakozi bo ku mashure yose ,basaba intererano kuri ico gikorwa.Umuntu wese atumirirwa kuzana intererano ku buryo bwiwe,kugira ihimbazwa rizogende neza,kandi ntibarenze kuwa 30 Rusama 2026,atagahato gakoreshejwe.

Ariko rero,mugihe urutonde rw'abayatanze ruzohabwa abarongozi b'umugambwe,bamwe mu bigisha batari mu mugambwe bashikiriza amakenga ko bashobora gusanga babimye ubufasha bumwe bumwe.Twomenyesha ko igenekerezo ya 30 Rusama yashitse haraye hatanzwe imishahara y'abakozi ba Reta.Abigisha benshi mu bisanzwe bafata impera z'ukwezi nk'igihe kigoye,mugihe imishahara yabo ataco imaze uravye iduga ry'ibiciro,bigatuma bibagora gushobora gukwiza ivyo bakenera.

**Ubutegetsi bwo muri komine bwarahagaritse urudandazwa rw'ibinyobwa biborera cane muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza.**

Kuwa 20 Rusama 2026, musitanteri wa komine Ruyigi, umupfasoni Niyibitanga Diane, yasohoye itegeko rigamije guhagarika urudandazwa rwose rw'ibinyobwa biborera cane biri mu macupa vya plastique ku butaka bwa komine.Ibidandazwa biraba harimwo ibinyobwa bizwi kw'izina rya« Kiki » hamwe n'ibizwi kw'izina ry'« Agasarabwayi ».Ikiringo c'indwi 2 abadandazwa baragihawe kugira basohore ibidandazwa vyavuzwe vyari bikiri mu mazu y'ubudandarizo.

Igenekerezo ntarengwa kuri ico gikorwa ni kuwa 3 Ruheshi 20026.Inyuma y'uwo musi, uwuzofatwa wese ariko acuruza canke ariko afata ivyo bidandazwa azohabwa ibihano bikomeye.Kubwo uwo murongozi,ivyo binyobwa ni inkwezi y'ibibi vyinshi,murivyo nyamukuru ari ukonona amagara y'ababifata. Benshi muri abo ari urwaruka,twomenya ko batangura kunywa ivyo bidanzazwa kuva mu gatondo,ibigira ingaruka mbi kw'iterambere ry'igihugu n'iryo imiryango,ababifata bahebera umwanya wabomu kwihereza ivyo binyobwa aho kuja mu bikorwa vyo kugwiza umwimbu.

Muri iyo ntumbero,musitanteri yasavye ko ubutegetsi bovyivangamwo, abapolisi, abarongozi mu butungane hamwe n'imigwi y'umutekano ihurikiyemwo bose kugira haje mungiro neza iyo ngingo.

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.*

**Ipfunga ridakurikije amategeko ry'uwuteka mu gipolisi muri komine Bururi, intara**

Kuva mu mpera za Ruhuhuma 2026, Ferdinand Nivyabandi, afise imyaka 38, ateka muri komisariya y'igipolisi i Bururi ari mu gasho k'igipolisi yagirizwa kwiba igikoresho co mu gikoni bateguriramwo imfungurwa z'abapolisi ariko kitari kigikoreshwa. Amasoko y'igipolisi avuga ko yahagaritswe kumvo z'amatohoza kandi ko urubanza rwiwe ruri mu minwe y'inyamira mabi Vasco.Abarongozi mu gipolisi harimwo colonel de police, Venant Barumbanze, komiseri ajejwe amakomine ya Bururi na Matana hamwe na colonel de police Ladislas, komiseri w'igipolisi c'inyamira mabi muri ayo makomine yemeza ko yamushize mu gasho kugira atohoze kuri ico kintu.Umuryango wa Ferdinand uridogera uko kurenga ibiringo bitegekanijwe vyo gupfungirwa muri ako gasho kandi barabaza igituma umushingwa manza mukuru wa Repuburika muri komine Bururi Frédéric Ndayikeza ataco abivugako mugihe iyo parake iguma igendera ako gasho.Abo basaba ko Ferdinand arekurwa canke ko urubanza rwiwe rwungururirizwa muri parake .

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE* *(Ibikurikira urupapuro 7)*

### Ikurwa n'ipfungwa ry'umuyobozi muri komine Cankuzo mu ntara yaBuhumuza

Kw'igenekerezo rya 21 Rusama 2026,muri komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza, Anselme Barandya, yubatse,w'imyaka 57,atwara ishure rya ETS Cankuzo (Ishure ry'imyuga ryisumbuye) iri ku mpera z'igisagara ca Cankuzo, umutumba, zone na komine Cankuzo, yarakuwe mu bamabanga yo kurongora ishure asubirizwa na Audace Saruhene. Ku bwo amasoko yaho, kuwa 25 Rusama 2026, Anselme Barandya yarahagaritswe hanyuma apfungirwa mw'ibohero rya komisariya y'intara ya Cankuzo. Ku bwo ivyabona vyo mu karere,yakubise Jocelyne, umukobwa wa Bararugira Emile, umwigisha wo kuri iyo shure,amwagiriza ko atamuramukije. Ku bw'ivyo vyabona, Anselme Barandya,iminsi mike imbere yaho yari,yarungikiye ubutumwa bugufi bw'amajwi kuri uwo mwigisha amusaba ko boryamana,ivyo umwigisha yanse.Kuva akubiswe, yaritwaye muri parake no mu biro bijejwe indero muri Komine ndetse no mu ntara ko atazosubira ku kazi igihe cose uwo muyobozi azoba akiri ngaho.

### Inyamiramabi isaba amahera ku bapfunzwe kugira abahe icumba bapfungirwamwo i Bururi mu ntara ya Burunga

Ibohero ry'igiporisi iBururi rigabuye mubibanza 3 bitandukanye. Muri ivyo bibanza,ica kabiri,kiri hagati,cari ibiro vy'inyamiramabi (OPJ). Ku bwo amakuru twatororkanije ku bapfunzwe benshi,vyaboneka ko ikibanza ca 3 capangishwa amahera angana 50.000 Fbu ku mu pfungwa wese adashaka gusangira uburaro n'abandi bapfungwa bari mu kibanza ca mbere.

Ayo masoko nyene amenyesha ko igice c'ayo mahera,ni ukuvuga amahera 20.000 Fbu, yasambwa ku mugaragaro n'inyamiramabi Vasco. Amahera 30.000 Fbu asigaye nayo yatangwa ku wujejwe igikoni muri komisriya, kijejwe kugaburira abapfungwa bari muri ico kibanza.Abo bapfungwa bibaza igituma Vasco asaba ko bamuriha ayo mahera,amafaranga yabonwa n'abandi nk'amahera yo gupangisha icumba c'agasho atri no mu butunzi bwiwe ntabe nay'inzu yiwe.

## *I.5. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*

### Igisirikare mu gista c'ubutare muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura

Amagenekerezo ya 27 na 28 Rusama 2026, igihe gikomeye carabaye i Mugina, ikomine yo mu ntara ya Bujumbura. Indongozi zaho,ku rwego rw' umutumba, rwafashe ingingo yo kuja mu birindiro bacukuramwo inzahabu mu mazone ya Ruhoro, Mabayi na Butahana. Intumbero y'urwo rugendo yari izwi neza: kumenyesha bene ubwo butare ko bategerezwa kuva ubwo gutanga icegeranyo gusa kubaserukira igisirikare. Impinduka ikomeye yiyongeye kuri ivyo:Umuntu nyene ubutare azotegerezwa kutanga mu gisirikare ibice 50 % vy'inzahabu yacukuye.

Iryo tegeko riboneka kuri benshi nk'ukwunyura uburyo bwo gucukura bwari busanzwe butoroshe ku mashirahamwe hamwe n'abacukuzi kama , bo,bikomeye kwibutsa, bashiramwo imitahe ikomeye kugira barihe amahera asabwa ko kuriha igitoro,abakozi bacukura,hamwe n'amatagisi ya komine ndetse n'amakori yo muri OBR. Kandi,hariho n' amahera angana ibice 16 % s batanga mw'

## I.5. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro 8)

ibanki nkuru y'igihugu c'Uburundi (BRB). Igitangaje, igisirikare ntanakimwe giterera muvyerekeye amahera yo kuriha ivyo vyose,bitera gutyo amakenga ku ruhande rw'amashirahamwe hamwe n bene ivyo birindiro, babona ivyo nk'ubusuma bweruye.

Imbere y'indwi,ibihuha vyarakwiragiye, bibonekako ari ukwihagira amatongo y'inzahabu muri komine Mugina. Kuwa 22 Rusama 2026, intumwa zo mu biro bikuru vya gisirikare yari yagenzuye ibirindiro vyahoze ari ivy' ishirahamwe Tanganyika Mining, barondera gushiraho ikirindiro kugira bacunge umutekano mu gucukura inzahabu ku ruhande rwa Prime Niyongabo,arongoye ibiro bikuru vya gisirikare, hamwe no kuruhande rw'umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye. Amakenga yashikirijwe n'abanyagihugu asa n'ayafise ishingiro.

Ku ruhande, usanga abacukura ubuzima bwabo bwatera buba nabi,abo bacukura bategerezwa gufata amadeni ku bafise inzu z'ukuzandarizamwo hamwe n'abandi badandaza kugira baronke ivyankenerwa. Ku rundi ruhande,abashizemwo imitahe mu mashirahamwe bari mu bihe bitaboroheye, ntibashobora kuriha imyenda basavye mu mabanki ndetse no kuronswa amatungo batanzeko ingwati. Abakozweko nayo mategeko mashasha baciye rero bitura Reta, basaba amadeni ahuriranye n'izo mpinduka z' ubutunzi canke,vyanse,baronswe inshumbusho ibafasha kuja mu bindi bisata. Naho abacukuzi bamw bashikirije ubushake bwo gukorera Reta,abandi ntayandi mahitamwo bafise turetse kuja gukora iyindi mirimo.

Abanyagihugu baho,,kubw'abo,bibukije Reta ko ababa mu yahose ari komine Mabayi bahoze bakura amahera ababeshaho mu kwimba inzahabu. Gutyo,basaba uguhagarika izo ngingo nshasha,bizera ko hazosubiraho ukuri kwame ibikorwa vyabo nk'uko vyahora.

## I.6. UMWIHWEZO W'UBUFASHA

**Imfashanyo ikenewe ku barundi 740 bahungutse bava mu gihugu ca Tanzaniya bari mu kirindiro bashikiyemwo Nyabitare.**

Aburundi bahungutse bava mu makambi y' impunzi muri Tanzaniya bari mu kirindiro bashikiyemwo i Nyabitare babandanya batera akamo basaba umuntu wese afise umutima w'urukundo kuza kubafasha.

Twibuse ,abo bahungutse bari mu kirindiro kuva kuwa 24 Ndamukiza 2026 kandi gushika ubu ntabufasha na bumwe bararonka buvuye mu mashirahamwe afasha impunzi akorera mu kirindiro bashikiramwo mukurindira kujanwa iwabo.

Inyuma y'igihe kinini barindiriye,baronse gusa ubufasha bw'ibifungurwa bivuye muri Caritas Burundi.

Vyongeye,abo bahungutse bari w'ikambi yo kurindiriramwo kuva kuwa 24 Ndamukiza 2026,ni 27 hiyongerako abahungutse 713 bavuye mw' ikambi y'impunzi y'inyarugusu,ngizo intara baturutsemwo:

⇒ Ruyigi inzu 22 zigizwe n'abantu 73,

⇒ Cankuzo inzu 115 zigizwe n'abantu 561

⇒ Gitega ingo 25 zigizwe n'abantu 79

Bose hamwe ni inzu 162 zigizwe n'abantu 713 .

Abobahungutse babandanya basaba amahera yo kwiyunguruza muri HCR kugira bashike mu ntara baturukamwo.

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N' IMBONERAKURE

**Umuntu yishwe muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura**

Kuwa 28 Rusama 2026, kw'ibarabara rya 4 ryo muri karatiye Muyinga, muri zone Kinama,muri komine Ntahangwa,yo mu ntara ya Bujumbura, Didier Nkurunziza, w'imyaka 21,agitangura umwuga wo gukora ingendeshwa,yarishwe acumiswe mw'ijoro n'imbonerakure yitwa Yamuremye mu nzu y'uburiro. Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,uwo yishwe yari muri iyo nzu y'uburiro,kandi yaramenyereye gufungurira muri iyo nzu. Kubwo ivyo vyabona nyene,mu mwanya wokuriha ivyo yafunguye,yabuze amafaranga angana 1000 y'amarundi hanyuma uwo yamwishe amusimbirako hanyuma amucumita mu rubavu aca acikanira aho nyene. Ikiziga ciwe cajanywe mu buruhukiro bw'i bitaro vy' abasirikare ryo mu Kamenge.

Ayo masoko nyene yongera ko uwakoze iryo bara yarahagaritswe n'igiporisi hanyuma ajanwa mu gasho ka zone Kinama.

#### II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYA-TOWE

**Ikiziga c'umugore catowe muri komine Karusi yo mu ntara ya Gitega**

Kuwa25 Rusama 2026, hafi y'isaha 6,ku mutumba Kigoma, muri zone Nyamugari, komine Karusi, mu ntara ya Gitega, umugore yitwa Madeleine, umunywanyi wa CNDD FDD,w'imyaka irenga 50,ava ku mutumba Karunyinya, muri zone Buhiga ya komine Karusi yatowe yapfiriye mu kazu ka surwumwe kahebwe impande y'isoko y'i Karusi.

Isoko ryaho ryatumenyesheje ko yari yagiye mu misa kuri paruwasi sacré cœur ya Karusi igenekerezo rya 24 Rusama 2026 kandi imisa isohtse,yagiye mu bunywero bw'urwarwa hanyuma araborerwa,igihe yaragiye ku kazu ka surwumwe ntiyagarutse. Bukeye bwaho,yatowe n'abantu bariko bahira ubwatsi bw'inka impande y'utwo tuzu twa surwumwe twahebwe.

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine Gisagara yo mu ntara ya Buhumuza.**

Kw'igenekerezo rya 24 Rusama 2026 hafi y'isaha ccumi na zibiri z'igitondo,ku mugwa mukuru wa Zone Mugera, muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Jean Claude, yakukurutse muri Ex-FAB w'imyaka 50 irenga catowe n'abahita bagiye mu misa ya mbere.

Ku bwo ivyabona vyo muri ako karere, impunzu z'umuhisi zari zitabutse ivyatumye bibaza ko zatabutse ariko agerageza kwirwanira kandi yarafise igikomere kinini mu maso. Ku bwo ivyo vyabona,imvo za poritike zoba ziri inyuma y'urwo rupfu kubera uwo muhisi yari umunywanyi w' umugambwe CNL, ibaba rya nyakwubahwa Agathon RWASA.

Ikiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vya komine Mishiha mukurindira ko bamushingura.

Musitanteri wa komine Gisagara, NZIRUBUSA Japhet avuga ko atavyo azi ariko ko azobitohoza kuko ari mu rugendo rw'akazi mu gihugu c' Ubushinwa.

### *II.1.2. ABANU BISHWE KUBERA KWIHORA*

**Umuntu yishwe n'abandi 2 bakomerete muri komine Kiremba yo mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa 28 Rusama 2026, hafi y'isaha zitatu z'ijoro,ku mutumba Kigufi, muri zone Marangara, komine Kiremba, mu ntara ya Butanyerera, Bizoza Isaac, ajejwe kwegeranya ama tagisi muri zone Marangara, uwurongoye umutumba KIGUFI n'uwurongoye agacimbiri Ruvyagira, Juvénal Nizigama, baratezwe umutego na RWASA Hermès, azwi kw'itazirano rya «Mpanga», w'imyaka 39, umuhungu wa Sinzohakurumutwe Balthazar na Banyase Marie igihe bari batashe i mu mihana yabo .

Ku bwo amasoko yo muri ako karere, RWASA Hermès yacumise imbugita Bizoza Isaac incuro zitatu: mu gikiriza,mu mugongo no mu jisho kandi yacise kandi Juvénal Nizigama hejuru y'ijisho hanyuma uwutwara umutumba amucumita kw'itama.

Bizoza Isaac, yajanywe ku kigo c'ubuvuzi bwa Kigufi aho yapfiriye akihashika kandi Juvénal Nizigama nawenyene yajanywe kuri ico kigo c'ubuvuzi nyene kugira avurwe. Ku ruhande rw'umukuru w' umutumba,yakomeretse bukebuke,imbugita ntiyinjiye cane.

Inyuma yogukora iryo bara,RWASA Hermès yahungiye hejuru ku nzu hanyuma atangura gutera amategura abantu baje kumuhgarika. Igiporisi caratabaye mukumuhagarika harimwo AP2 Ndoriyobija J. Bosco yarashe hejuru kugira agondoze uwakoze ibara ngo yururuke.

RWASA Hermès yagerageje guhunga,ariko yahagaritswe vuba na bwango n' abanyagihugu bari biyegeranije kandi bamwe bashatse kwihanira mu kumuhuragura. Ariko,igiporisi caratabaye mukumukingira, naho yari yamaze gukomeretswa mu mutwe n'abanyagihugu kandi yapfungiwe mu gasho k'ikirindiro c'giorisi i Marangara kugira bamukorere idosiye.

### *II.1.3. UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO*

**Ukunyuruzwa kw'abakozi babiri bakorera iperereza muri komine Muha mu ntara ya Bujumbura**

Kuwa 2 Ruheshi,umuhari Iteka waronse inkuru aho abagabo babiri,bose bakorera iperereza ry'Uburundi (SNR),banyurujwe I Bujumbura kuwa gatanu igenekerezo rya 22 Rusama. Ayo mabi yabereye ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika,impande ya Nyabugete Beach.Abo 2 banyurujwe ni Vincent Nsengiyumva na Anicet Nsengiyumva. Vincent Nsengiyumva, w'imyaka 33 ,yari umukinyi mu murwi w'igiporisi c'igihugu c'Uburundi "Rukinzo". Ku rundi ruhande,yakora nk'umukozi w'iperereza mu kirindiro co ku rubibe mu Gatumba kandi yadandaza igitoro kiva mu gihugu ca Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo. Ava ku mutumba wa Manga, muri komine Kabarore mu ntara ya kera ya Kayanza, yaba mu Kinama n'umuryango wiwe. Kuri Anicet Nsengiyumva,nawe,avuka ku mutumba Kabuye,muri komine Buraza mu ntara ya Gitega, kandi yaba gushika ubu muri karatiye Nyabugete Mu ntara ya Bujumbura. Ku bwo amakuru twahawe n'ishirahamwe King Umurundi Freedom,ivyo vyatanguye imbere y'umutaga wo kuwa gatanu igenekerezo rya 22 Rusama 2026. Uwundi mukozi w'iperereza mu gisirikare,yitwa Franck kandi aba muri zone Musaga hafi ya gasekebuye,yoba yasavye Vincent kugendesha imodokari yiwe yo mu bwoko bwa Voxy aho bakorera ingendeshwa muri karatiye Buyenzi kugira bayikore ibintu bimwe bimwe. Bahejeje kuyikora,Vincent yagiye kwa Franck,hanyuma ni ico gihe abo bagabo 2 bafashe ibarabara rija mu Gatumba. Bavuye mu Gatumba,bari bateguye kwisanzura mu nzu y'buriro n'ubunywero yitwa MINA RESTO BAR, iri muri karatiye Nyabugete. Bariko baragenda,Franc yoba yararonse iterefone ya Anicet,amusaba gukora akazi ko gufata abadandaza ibitenge vya magendo biva muri kongo.

Franc ariko aravyanka ,asigura ko adashobora gukora igikorwa nk'ico adahawe itegeko n'abamukurira mu kazi. Haciye umwanya,Anicet yasanze abo bakorana 2 muri ubwo bunywero hanyuma asaba icupa kugira yimare akanyota. Niho yitaba iterefone ry'umuntu atamenekanye. Agira amakenga menshi,yinginga mugenzi we Vincent ngo amuherekeze hanze. Ubunywero yari inzu igeretse,barurutse kugira bahure n'uwo bavugana, yari yavuze ko ari umugabo yitwa Nordin Nsengiyumva, alias Robati. Uwo mugabo yababwiye ko ashaka kubaha imizigo ,kandi ko iyo iri ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika ku wundi muntu.Bose rero baca bicara muri ya ngendeshwa yo mu bwoko bwa Voxy,ifise imparati FA 9379 kandi yari iya Anicet,kugira bagende ku kiyaga ca Tanganyika,impande ya Nyabugete Beach. Aho hantu,bahasanze uwundi muntu , atamenyekanye, yarafise umuzigo bavuga urimwo ibitenge hamwe n'amacupa y'imivinyu. Inyuma yo gupakira ivyo bidandazwa mu ngendeshwa yabo,kandi umwanya wuko bariko baragaruka kugira batahe muri karatiye Nyabugete,imodoka yo mu bwoko bwa Hilux y'ibara ryera,itagira inomero z'imparati kandi ifise ibiyo bitabona, yaserutse iri mu muvuduko munini cane kugira ibitambike imbere. Abagabo batatu bambaye ibisanzwe hamwe n'abandi 4 bambaye umwambaro w'igiporisi baciye bururuka kimwe na kimwe mu ngendeshwa yabahagaritse. Bururutsa ya mizigo yose yari muri ya Voxy kugira bayishire muri Hulux, imbere yo gufata Vincent na Anicet bakabahagarika kandi baburiza ku nguvu. Naho abo bakozi b'iperereza bagerageje gutabaza, ntibaronse ikibatabara. Ku vyerekeye Robati n'uwo agira kabiri bahuriye ku nkengera y'ikiyaga ca Tanganyika,basubiye kugenda atangorane n'imwe barikumwe n'abajejwe umutekano. Gushika ubu,ntanumwe azi neza ahari abo bakozi 2 b' iperereza. Amasoko amwe avuga ko Vincent yoba yaramaze gupfa,kubera yarafise amabanga menshi ashobora gukwegera bamwe ku mvo z'ihagarikwa rya Anicet. Ayandi masoko yemeza ahubwo ko abo bakozi 2 b'iperereza boba nabonyene bari mu mabi y' ubunyonyezi hamwe no muruhererekane rwo kudandaza igitoro hamwe n'ibitenge biva muri RDC. Ni ingirakamaro kubamenyeshako ingendeshwa yo mu bwoko bwa Hilux yakoreshejwe muri iryo nyuruzwa ari iya Général de Brigade de Police Domitien Niyonkuru

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### Umukobwa muto yafashwe ku nguvu muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga

### *II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 24 Rusama 2026,ivuga ko kuwa 20 Rusama 2026,ku mutumba Kanyenkoko, muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, F. S, w' imyaka 14,umunyeshure wo kw'ishure ry' abanyekongo mu mwaka wa 6,yafashwe ku nguvu n'uwikekwa yitwa Kampaya,umunyekongo aba kuri uyo mutumba nyene,afise imyaka 14 tufatiye kuvyo yavuze mu giporisi. Uwikekwa ko icaha ntiyaronse ivyemeza ko akiri umwana. Uwafashwe ku nguvu yajanywe ku bitaro vya Rumonge hanyuma uwikekwa ko icaha apfungirwa mu gasho ka komisariya y'i giporisi mu Rumonge imbere yuko arekurwa kumvo zobura impapuro zemezako akiri munsi y'imyaka 18.

Ibara ryaguye mugihe uwikekwa ko icaha yagerageje guhamagara uwo mukobwa mu nzu atawuyibamwo kugira amwugaraniryo hanyuma amushurashuze. Ni abavyeyi babonyeko umwana atari muhira hanyuma batangura kumurondera, bamusanga muri iyo nzu.

### *II.2.2. AMABI YO MU NGO*

### Umugore yishwe n'umugabo wiwe muri komine Nyanza mu ntara ya Burunga

Mw'ijoro ryo kuwa 29 Rusama 2026, ku mutumba Mbizi, muri zone Mabanda,muri komine ya Nyanza, mu ntara ya Burunga, Christine Minani yarishwe akubiswe ikibando n'umugabo wiwe Miburo Jean Bosco.

Ku bwo ivyabona vyaho,urwo rugo rwama mu matati kandi bongera ko uwo mugabo yari yanyoye inzoga zikaze imbere yuko yica umugore wiwe.Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe hanyuma apfungirwa mw'ibohero ry'igiporisi mu Mabanda.

# III. UBURENGANZIRA KU BUTNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA

## III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI

### Umuriro kw'isoko ya Cibitoke mu ntara ya Bujumbura

Kuwa 29 Rusama 2026, hafi y'isaha cumi na zibiri z' umugoroba,Isoko ryo ku murwa mukuru wa komine Cibitoke,intara ya Bujumbura ryarahiye hanyuma utuzu two kudandarizamwo tungana 15 turimwo imboga, inyanya hamwe n'ibindi biribwa vyarahiye.

Kubwo umuntu aba hafi y'isoko,umuriro wadutse mu karere badandarizamwo amakaramu bumanuka bw' isoko rya Cibitoke,imbere yo kurandagata ku tuzu tudandarizwamwo inyanya.

Turetse ivyo bidandazwa vyaturiwe n' umuriro, ibindi vyaribwe n'abasuma,ingendeshwa izimya umuriro yahashitse iteba kandi ubusuma muri iryo soko mugihe umuriro wariko uraka bwahagaritswe n'abasirikare.Abadandaza bibwe hamwe nabahishije ivyabo bavuga ko bagize uruhombo rukomeye kandi ko bizobagora kuriha madeni basavye.

Ubu,abasirikare n'abaporise nibo bacungereye iryo soko. Indongozi zarugaye iryo soko kandibariko bagira amatohoza kugira bamenye icatumye umuriro waduka.

Abadandaza bakozweko n'ico kiza bavuga ko bari mu mubabaro ntangere kandi barafise amakenga.

Tumenyeshe ko iyindi soko yo mu ntara ya Bujumbura ,isoko ya Kinama nayo yahiye kuwa 07 Rusama 2026 hamwe n'amazu y'ubudndarizo 395 yahiye aratokombera harimwo 25 afise ubwishingizi bw'indishi.

## III.2.UBURENGANZIRA KU NDERO

### Ibikorwa vy'ishure vyasubirijwe ivy'umugambwe CNDD-FDD

Kuwa 25 Ndamukiza,inyubako y'ingoro y'umugambwe muri zone yafashe iyindi ntumbero mugushiramwo ku nguvu abanyeshure mu nyubako y'iyo ngoro y' umugambwe uri ku butegetsi.

Mu mashure yose yo muri zone,abanyeshure,cane cane abanyeshure bo mumwaka wa 4 gushika mu mwaka w'icenda,bategetswe kuja mu myonga kugira bazane amatafari bakoresha mu kwubaka iyo ngoro y' umugambwe CNDD-FDD muri zone Rwisabi,muri komine Bugendana, pmu ntara ya Gitega.

Abavyeyi bamenyeshako badatahura igituma abana bakurwa mu vyirwa kugirra bakore ibikorwa bitaraba inyubako rusangi. Bibutsa kandi ko abanyagihugu bamaze gusabawa uburyo bw'amafaranga kuri ivyo bikorwa nyene.

Habumukiza Floribert,arongoye chef de la zoneRwisabi, Nduwimana Edouard na Kubwimana Julien,barongoye ukwo bakurikirana imitumba ya Kuvoga na Kidasha, Mizero Alphonse,Niyibogora Diomède na Nshizirungu Nazaire,barongoye uko bakurikirana amashure nshingiro ya Kidasha, Kivoga na Rwisabi I nibo baza imbere muri ivyo bikorwa-hamwe no mw'iterabwoba kubanyeshure banse kuja muri ivyo bikorwa. Ku bwo amasoko yacu,izo ndongozi zoba zijejwe kudoma ku rutoke umu-nyeshure wese yanka kuja mu bikorwa hamwe no kuhamagara mu nyuma abavyeyi biwe kugira basigure aho bahagaze. Abanyeshure bo mu mwaka w'icenda bamenyesha kandi ko baterwa ubwoba ko batazobemerera gukora ikibazo ca Reta nibanka kuja gukora ivyo bikorwa.

Kuwa 29 Rusama 2026,mu mashure yose yo muri zone Muramvya,abayobozi bayo mashure basavye abanyeshure bose kuzana umwe wese ibihunda.

Bukeye bwaho mu gatondo,abo banyeshure bajanywe bose,n'ivyo bihunda vy'ibitoke,mu murima w'ikawa w' umugambwe CNDD-FDD ku mutumba Ndago wo muri zone Muramvya. Bamaze umunsi wose bariko barakora muri uyo murima wagutse.Bose bibaza ingene abanyeshure bosebashobora guhagarika ibikorwa vyabo vy' ishure kugira baje mu bikorwa vy'umugambwe uri ku butegetsi,cane cane ko umwaka w'ishure ugire uhere.Itegeko ryatanzwe n'uwurongoye zone Muramvya, Uwimana Jean Marie.

## IV. UGUSOZERA N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Uburundi:**

**1.** Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga

**2.** Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo

3. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure akabi bakoze,

4. Kuraba neza ko ubutunzi bw'igihugu bwoba inyungu y'abanyagihugu kandi ko zitoba inyungu za bamwe mu ndongozi,intwazangabo zo ku rwego rwo hejuru hamwe n'abaporisi,

5. Guhagarika gukoresha igisirikare mu gucukura ubutare mu burere bu t a n d u k a n y e bw'igihugu,

6. Guhagarika guhindura amashure yo kurera abana inzu z'amanama ya poritike.